BURUNDIAN COALITION UNITED STATES OF AMERICA BCUSA

REC'D DEC 12 2021

## URUNANI RW'ABARUNDI MURI LETA NZUNZE UBUMWE ZA AMERIKA

| | |
|---|---|
| Intumbero Yacu | Gushigikirana biciye m'ubumwe no gukorera hamwe. |
| Imbono Yacu | Dutanga ubufasha bufatiye ku mico n'akaranga kugira duteze imbere benewacu na bashiki bacu bakomoka i Burundi. Duharanira ko abimukira bakomoka muri Afrika bamenyera imibereho yo muri Amerika muburyo bworoshe kandi badatakaje imico yabo biciye mubikorwa vy'ikibano n'inyigisho. |
| Akaranga kacu | •**Ugushoboza** : Dutegekanya kwegeranya abarundi baba muri Amerika biciye mu mategeko kugira dushigikirane nk'abavukanyi mu buzima bwa misi yose.<br><br>Dushaka ko buri muntu, imiryango, hamwe n'ikibano cose baronka imfashanyo bakeneye kugira bashobore kuba ico bipfuza kuba.<br><br>•**Ukubaha:** Dufata buri kiremwa muntu co kimwe, ntidukumira umuntu numwe kumvo ayariyo yose tutibagiye; imvo za politike, idini, igitsina, canke ivyipfuzo bifatiye ku gitsina.<br><br>•**Ubumwe**: kuzuzanya bishoboka hariho ubumwe. Ivyiyumviro bitandukanye, imico itandukanye canke ukwizera gutandukanye birashoboka ko vyegeranirizwa hamwe tukabana mu munezero.<br><br>Tugira inkomezi nyishi dufise ubumwe kandi niyo dushobora gushika kumigabo n'imigambi yacu.<br><br>•**Ugushigikirana**: Turatahura ko impinduka ihoraho isaba ibirengeye ukwihutisha inyishu hamwe n'inyishu zakanya gato. Nicogituma twizigira umunywanyi wese w'ishirahamwe, hamwe n'abatware bo hasi hamwe nimfashanyo yamaho kugirango dushike kuvyo abanywanyi bashaka bigatuma turonka inyishu zamaho kuvy'ishirahamwe rikenera.<br><br>•**Umwitwarariko**: Turangwa no gukorera kumugaragaro. Dushaka ko umutungo wishirahamwe ucungerwa neza, kandi ko buri munywanyi aronka inkuru zijanye nuko ubutunzi bwifashe.<br><br>•**Ukwigenga**: Urunani BCUSA ni ishirahamwe ryigenga ridaharanira inyungu z'idini canke za politike. Mugihe urwo runani dukorera muma Leta atandukanye ya LETA ZUNZE UBUMWE ZA AMERIKA turi musi y'amabwirizwa n'amategeko yama Leta turimwo, kandi dutegerezwa guharanira imisi yose ubwigenge kugirango twame dukora twisunze imigabo n'imigambi ya BCUSA. |
| Abo Dukorera | Dukorera Abarundi bose canke izindi nyimukira zikomoka muri Afrika bakaba baba mu LETA ZUNZE UBUMWE ZA AMERIKA biciye mu mategeko. |

| | |
|---|---|
| Intonde zacu nivyo dukora | •Umugambi w'indero rusangi n'inshingano z'ubuntu<br><br>•Ukuvugiranira kunzego zo hasi, nizo muri Leta hamwe n'inzego zo hejuru cane<br><br>•Indero n'imico kama (imico kama ya Amerika niy'Uburundi)<br><br>•Amahoro no kunywana hagati mu barundi<br><br>•Ibikorwa vyo gufashanya mu kibano nk'akarorero hariho ibikenewe umuntu asaba vyogushira mungiro<br><br>•Gushigikira uwabuze uwiwe mubijanye namaziko<br><br>•Ugusobanura nogushirira abanywanyi bacu bose murundi rurimi mugihe bikenewe |
| Imigambi yacu ya 2021-2025 | •Gukomeza ubucuti hagati yabagize ishirahamwe (umuryango) ry'Abarundi.<br><br>•Kwubaka imigenderanire hagati y'ishirahamwe ry'Abarundi n'izindi nzego (iz'ibikorwa vyiterambere, Ubutware bwo hasi, ibikorwa vy'ubuntu)<br><br>•Guserukirwa muri LETA ZUNZE UBUMWE ZA AMERIKA hose hamwe no mubisagara vyose Abarundi babamwo.<br><br>.Gukoresha ibiteramo ndangamico mu ma Leta yose.<br><br>•Guha akaryo urwaruka rw'abarundi kugira bige ibijanye n'imico yaho bakomoka. |
| ICIVUGO | UBUMWE NICO NKOMEZI ZACU |

BURUNDIAN COALITION UBUMWE BCUSA NKOMEZI UNITED STATES OF AMERICA

REC'D DEC 1 4 2021